IJAMBO RISHIKIRIJWE NA NYENICUBAHIRO UMUKURU W'IGIHUGU KU MUSI WO KWIPFURIZA UMWAKA MUSHASHA UMURYANGO WA SEBARUNDI

1. Imbere ya vyose, ndabasabe tubanze dukengurukire Imana Mushoboravyose, Nyenimbabazi, impuhwe n'ikigongwe, Yo yatugiye imbere ikaturinda gutsitara, tukaba dukoraniye muri kino kibanza turi bazima. Nihabwe icubahiro kirengeye vyose, imisi yose na hose.

2. Twashaka kubakengurukira bimwe bivuye ku mutima kuba mwagize iki ciyumviro co kutwipfuriza umwaka mushasha, Jewe n'umuryango wanje, natwe tukaba tubipfurije namwe n'imiryango yanyu Noweri Nziza n'Umwaka mushasha mwiza w'2022 ; muze muwugiremwo imigisha ivuye ku Mana mu bikorwa vyanyu vya misi yose, hamwe no mu miryango yanyu.
3. Ni akanyamuneza kandi kadasanzwe kuba twongeye guhura ngo dusozere umwaka twiginana, dutera ryarenga twongera twirimbura kugira dufate ingingo zo gutumbereza neza ivyo tutashoboye gushitsa, ariko tutibagiye kandi n'uyu muco mwiza wo gusangira akajumbu muri mwene ibi bihe.

➢ Bubahwa mwese,
➢ Ntwazangabo mu rwego rwo kwivuna abansi no mu nyamiramabi,
➢ Batumire bahire,

4. Kwipfurizanya umwaka mwiza ni umugenzo mwiza mwihaye, utuma indongozi mu vy'umutekano baguma baganira ivy'igihugu cane cane ibijanye no kubumbatira amahoro n'umutekano no gukora ibibateza imbere.
Mwanyagiye ibitari bike kandi vyampimbaye numvise ivyo mwaranguye kandi naje niboneye.

5. Uwu mwaka turiko turasozera twawuronsemwo ibitari bike vyo kurata :
Abanyamahanga bari badufatiye ingingo z'agahotoro, barikubise agashi barabona ko bari baturenganije baraheza baradusubizako agahuzu.

Ico gihe, ibikorwa vy'igihugu twihatira kwari ukubeshuza gusa ibinyoma vy'abansi ijoro n'umurango, ubu twararonse agahengwe, duca tuja ku kivi co guteza imbere igihugu catwibarutse, mbere ubu mu mihingo itari mike mu gihugu, inzara turabaza.

6. Duheraheje kandi uyu mwaka turi mu mahoro n'umutekano kubera twa tugwi twagira iterabwoba mu gihugu, abari muri two atari bake barafashwe ubu bari imbere y'ubutungane. Mu makungu naho intwaramiheto z'Uburundi zagumye zikora birashimwa muri bwa butumwa bwo kugarukana amahoro muri Somaliya na Centre Afrique.

Mbere Ishirahamwe mpuzamakungu ONU rikaba rishima cane uruhara rw'Uburundi muri ivyo bikorwa vyo kugarukana amahoro n'umutekano aho bakiyakeneye.
7. Kubera ubukerebutsi n'ubutwari bw'ingabo zacu, iryo shirahamwe ryaradushize mu muhango ko rishobora kuzotwikorako tukagenda gufasha no mu gihugu ca Mali.
Ikindi gikomeye catunezereje ni uko iryo shirahamwe nyene ryemeye ko ryari ryarafashe ingingo itabereye mu kwirukana inteko z'igipolisi c'Uburundi zari zagiye gufasha muri Centrafrique,

ubu bakaba baratwijeje ko zigiye gusubirayo cane cane bagahera ku ntwazangabo z'abakenyezi.
➢ Banyakwubahwa mwese ;
➢ Batumire bahire.

8. Igihe twaheruka kwiginana nk'uku, twagiye dusezeranye ko tugiye gukomeza umutekano mu gihugu, ko inyamiramabi zigiye gukurikirana umutekano ku mitumba yose, ko intwaramiheto zigiye kugira uruhara mw'iterambere ry'igihugu.
Uno musi, si agaseseshwarumuri ko ivyo mwiyemeje vyagiye mu ngiro ; igihugu cacu kirangwamwo amahoro n'umutekano mu mpande zose.

Ariko ntihagire uwuryama umukondorazosi ngo yijajare, twame turyamiye amajanja twese umwansi ntaduce mu ryahumye, kuko murazi ko yama yagerageje akatari gake kutwubira, n'abenegihugu bakahasiga ubuzima.
Mumenye ko turi kw'isi aho sekibi adahengeshanya gukorera mu bantu ngo bakorere ikibi abandi.

9. Aho hakurya mu buseruko bwa Kongo (RDC) turahumva wa mugwi w'iterabwoba Red Tabara ufatanije na ADF ariko tugashimishwa n'uko bariko barayigwanya.
Ko rero n'ibindi bihugu vyavuye hasi kugwanya iyo migwi, natwe ni ukwama turikanuye.

10. Muri uyu mwaka nyene, turashimishwa n'intambwe ihambaye mwebwe mujejwe umutekano mugezeko.
Muriko mukorana neza n'abenegihugu mu gucungera amahoro n'umutekano ; ivyo bikaba vyaratumye inkozi z'ikibi nyishi zifatwa, zirashengezwa.
Muriko kandi murakora ibishoboka vyose kugira ngo mufashanye n'abenegihugu mw'iterambere. Aha twovuga nko gukingira ibidukikije duciye muri wa mugambi « EWE BURUNDI URAMBAYE », umugambi witwararitswe ahanini n'intwaramiheto hamwe n'inyamiramabi.

Urwego rwo kwivuna abansi vyihariye, ruriko rurafasha abenegihugu mu bijanye n'uburimyi n'ubworozi, mu gusanura amabarabara, ndetse no kwiyubakira amahinguriro y,ivyo bakeneye kugira bagabanure umutwaro wo kubasumira.
Ivyo vyose tukaba tubikesha ubutwari n'ubukerebutsi bw'indongozi zanyu.

➢ Banyakwubahwa mwese,
➢ Batumire bahire.

11. Ndabivuge ndabisubire, uburongozi bubona kure, bukagira ihangiro n'imigambi yo kurishikako bwama buteza imbere igihugu.
Mwebwe rero mujejwe umutekano no kwivuna abansi,
biraboneka ko ako karangamutima k'indongozi ihabona muriko muragatsimbataza kuko bibonekera ku vyo mwaranguye n'ivyo muriko murakora.
Ni co gituma nagomba ndabakeze nongera ndabatera intege ngo mukomere ku muheto, abenegihugu turabanezererewe nk'umwana w'inkerebutsi mu muryango.

12. Mu bisanzwe intsinzi y'abajejwe umutekano ni uko abenegihugu baba baroraniwe. Erega uwujejwe umutekano ni nk'umuvyeyi mu muryango.
Ni mwebwe muserukira Reta mvyeyi vy'imvamutima kuko iyo abenegihugu bababonye, umutima uri mu nda baca barema.
Urugamba mwamako mu gucungera umutekano ni rwo rutuma abenegihugu barema.
Kurema kwabo na kwo kuva ku kungene biyumvamwo ko ata kabadogoya mu mutima canke ku mubiri.

None rero mubimenye, muriko mugwana urugamba rwiza, kuko urugamba rwiza ni urwo kubuza intambara ; ndetse naho umwansi yoguta mu ntambara, urugamba rwiza ni urwo utsinda uwo mwansi udatakaje n'umwe mu bawe. Ako mwame mugafise ku mutima.

13. Urugamba rwiza ni urwo gukinga intambara, ni urwo kubuza indyane mu bantu. Kiretse intambara iterwa n'imburakimazi, ahanini intambara itangurira mu mutima, iyo abantu batuntuye.
Mwebwe rero ni mwe mwamana n'abenegihugu, ni mwe mumenya hakiri kare ibibababaza, kandi kubera ubunywanyi mufitaniye, ivyo bibababaza ni mwebwe bikorako ku mutima ubwa mbere kuko ibisangiye imizi bisangira no kwuma.
Duhiriwe duhishije rero ko mwebwe muri abahanuzi b'inzego z'igihugu mu bijanye no gukora ibishoboka ngo abenegihugu bumve ko batekaniwe.
Muraguma rero muturya akara, natwe tumenya ico twokorera abo benegihugu bakanezerwa.

14. Ibituma abenegihugu badatekanirwa ni vyo mujejwe kugwanya.
Na vyo ni iyo uburongozi bw'igihugu bwifashe nabi ; Ni iyo itunga rusangi ryizizirwa n'akagwi k'abantu ata camira, ni iyo abenegihugu bacurwa bufuni na buhoro, ni kandi iyo abenegihugu bakenye, bagasonza, bakabura aho bakika umusaya, bagwara ntibaronke aho bivuriza, eka mbere ugasanga n'iyo habaye amatati ntibatunganirizwa.
Ivyo biratuntuza imitima y'abenegihugu.

15. Duhere ku ntwaro ibereye. Uburongozi bubera abenegihugu iyo indongozi zigenza nk'abavyeyi. Nta muvyeyi ndumva yaka igiturire umwana wiwe kugira ngo amutunganirize. Umuvyeyi mwiza ntagira nkuzi mu bana ahandi hoho aba azanye umuryano mu muryango.
None rero twese hamwe, nk'indongozi, turerane kugira tugire inyifato y'umuvyeyi.
Dukore ibishoboka vyose kugira abenegihugu tubereye imboneza ntibabone ibibatuntuza bivuye kuri twebwe.

16. Ibituntuza abenegihugu ubwa mbere ni iyo babuze ubutungane. Ahatagira ubutungane, indyane zihasasa indava. Ahari indyane naho inyamiramabi, ntizironka agahengwe.
Mwebwe rero mujejwe umutekano ni mwebwe mutegerezwa kuba aba mbere mukurerekera abenegihugu ngo ntihagire uwubarenganya ngo bahave batuntura hanyuma ngo baje mu vyo kwihorana.
Iyo hagize uwubasinzikariza ubuzima naho canke akabahungabaniriza umutekano, ategerezwa gufatwa agashengezwa imbere y'ubutungane.

Aha mwebwe mujejwe umutekano muhafitiye igikorwa kinini kuko inkozi z'ikibi kenshi zitwaza igikenye kandi uwemerewe gukoresha inguvu ari mwebwe gusa.
Ni mube abantu bapfuha rero, murereke abantu bose bashaka guhahaza abandi ku giti cabo, naho boba abo muri mwebwe nyene bataye umurongo.

17. Ikindi gituntuza abenegihugu si ubutungane butatura amatati gusa. Ni n'ubutungane bujanye no guha amahigwe angana abenegihugu mu buzima bwabo mu gihugu.
Akarenganyo ni kabi mu gihugu, gucishirizamwo umwe uwundi utamucishirijemwo bituma inzigo n'ishari bimera mu benegihugu, bikavyara umuryano.
Ingaruka z'ivyo ni umuryano mu bantu, na wo ugatuma abajejwe umutekano barara rubunda.

18. Hariho ikindi kizana imitima mibi mu bantu : ukwigarurira ivy'abenegihugu babona, atako bari bugire kubera ababigira baba bitwaje igikenye.
Aha ni ukuhagabira kuko abajejwe umutekano basamaye hariho abaca bigira bugabo bwigaba. Abo rero ni bo baca bita ko bica bagakiza, bakaba ari bo bafata ingingo mu kibanza c'ubutegetsi bw'igihugu.

Ni muri iyo ntumbero ndabasaba gushigikira uburongozi bw'igihugu mukuba inderetsi, abantu bose bagume bubaha amategeko. Uwuyarenze na we ashengezwe imbere y'ubutungane.

19. Mu bijanye n'imigenderanire, abajejwe umutekano ni bo nkingi y'umubano mwiza n'ibindi bihugu kuko ni bo baraba ko inkozi z'ikibi mu bindi bihugu zitaza kwinyegeza iwacu, ngo biduteranye n'ibihugu bakozemwo ikibi. Vyongeye ni bo bacungera neza ko ata boza guhungabanya umutekano iwacu bavuye hanze.
Ni co gituma betegerezwa kuguma bahana amakuru n'abajejwe umutekano mu bindi bihugu.

➢ BANYAKWUBAHWA,

20. Sinovuga umutekano ntavuze iterambere. Wumvirije abantu benshi bavuga ko indyane mu bihugu vyinshi ziterwa n'ubukene. Ni vyo kuko abasangiye ubusa baracuranwa, hanyuma bakitana ibisambo.
Uretse n'ivyo inda ishonje ntigira amatwi kuko aharaye inzara hazinduka inzigo. Bisubiye umukene acika umusezi ; Abarundi rero igihe cose tuzoba dukenye, urukundo hagati yacu ruzoba ruke kuko umushezi yanka uwundi.
Mu gihe dushaka ko umutekano ukomera, dutegerezwa kwiyumvira ivyo twokora biteza imbere igihugu hanyuma tukaja ku kivi.
Ivyo bikorwa na vyo bikaba bihagaze ahanini mu guhingura itunga kama Imana yaturemeye, gukamisha ikirere Imana yaduhaye, no gukora ibigirira akamaro abenegihugu.

21. Ku bijanye no guhingura, ubwa mbere ni uguhingura isi kugira ivemwo ivyo kurya bitunga amagara yacu ndetse turonke n'ivyo dushora.
Ubugira kabiri ni uguhingura abutare dufise kuko na bwo tutabuhinguye buduteza umutekano muke kuko butera ameru benshi kuko ataco turiko turabukoresha.

22. Kugira ivyo vyose tubishikeko bisaba urunani mu bikorwa. Twebwe duhiriwe duhishije ko urwo runani mu bikorwa mwebwe abajejwe umutekano murazi ingene rukorwa kuko urugamba rwo kugwanya ubukene rutunganywa nk'inteko.
Ni co catumye twegeranya abenegihugu, dufata ko ari zo nteko, tubashira mu makoperative ari yo migwi y'urugamba, afise n'uburongozi ari bwo butware bw'ingabo.
Ubu rero dufata ko ingabo zitonze, hasigaye ko indongozi mu bisata bitandukanye vy'igihugu biza kurongora urugamba, umwe wese mu bimwega.

23. Muri iyo nzira nyene yo gutondesha ingabo ku rugamba rwo kugwanya ubukene, twarabonye imigwi ibangutse kurusha iyindi ; nayo ni urwaruka n'abakenyezi.
Abo rero uburongozi bw'igihugu bwarabitayeho kurusha, tubatunganiriza amabanki, dushiraho n'iyindi migambi ituma tubahagurutsa ngo batangure ikivi.

24. Ku bitwerekeye nka Reta, twarashizeho imigambi yo guteza imbere urwaruka tubicishije mu gushigikira imigambi y'amashirahamwe n'amakoperative vy'urwaruka ; turashiraho ibanki y'urwaruka n'iy'abakenyezi hamwe n'umugambi wo gushigikira imigambi iteza imbere urwaruka PAEEJ.

Turanezerezwa no kubona urwaruka rutari ruke, rubifashijwemwo n'imvukira canke izindi ncabwenge, ruriko rurazana imigambi yarwo mw'ibanki BIJE, kandi urwaruka rugera ku bice 60 kw'ijana rukaba ruri ku kivi.

25. Mu gushira abantu ku kivi hari ikindi twabonye kidahara. Ni ugukomeza umubano mwiza hagati y'abonse rimwe.
Umubano mwiza uhera mu muryango kuko ari wo shingiro ry'igihugu.
Nagomba mbanze nkeze abatambukanyi canke abanega b'abajejwe umutekano kuko bagumya umutima abo bubakanye bariko bararira igihugu.
Ni umutwaro utoroshe turabizi ariko nta gucika inkokora kuko igihugu kitaronse abacigura ntakoshoboka.

26. Umubano mwiza kandi ubonekera mu gushira hamwe hagati y'abenegihugu.
Ubu muri iki gihe turiko turinagura, ndashimira Abarundi bose kuko bukebuke ubumwe mu benegihugu buriko burakomera.
Ariko n'aho biri uko, mwomenya ko n'ubu hakiriho imitego imwe imwe ituma ukunywana kutaraja mu buryo.
Muri iyo mitego hariho kuvura ibisebe vyatewe n'indyane zabaye mu gihugu zitewe n'uburongozi bubi bwabaye mu gihugu kuva mu gihe c'ubukoroni.

Harimwo kandi n'abakoze ibibi baguma bafise imitima mu kirere kuko bibaza ko aho bukera bakubitwa intahe mu gahanga.

27. Nagira mpumurize Abarundi kugira basubize umutima mu nda. Kumenya akahise kacu mu Burundi, ntaho bisa bisana no kurondera ukwihorana mu Barundi bahuye n'ivyago.
Ahubwo ni ukuvurana. Uwo ivyo vyaha vyashikiye arakeneye gukira ico gisebe, uwabikoze na we nyene arakeneye kumenya ikimurindiriye.
Nagira nsubire ndabamenyeshe ko ata Murundi yogira ubwoba, nta bwoko bwishe mu Burundi, ni ukuvuga ko ata wushobora kugwa mu mporero.

Kandi nagira ndababwire ko ivyaha vyakozwe haheze imyaka irenga mirongo itanu, n'ababikoze nta magara bagifise ngo umuntu yikeke ko bokwisubiriza kuri ico caha.
Ahubwo nsaba Abarundi bose ko tworirira igihugu cacu cabuze beneco bari kugiteza imbere, gutyo n'abahuye n'ivyo biza babone ko Abarundi twese twifatanije na bo mu mubabaro.

28. Kira noneho ivyari imagera vyarageruye, nta burongozi bwoba bukireka ngo inganda zitikire mu gihugu.
Ico ubu twipfuza ni uko ukuri kwose, ivyabaye vyose, umwaka uwo ari wo wose vyoja ahabona kugira bitubere icigwa.
Nihaba ukuri turondera ari ukuza kuducamwo imice ukwo kuri ntaco kwoba kumaze, twopfuma tukureka.
Ariko kandi, nihaba gukangarizako naho ari vyo biducamwo imice na vyo nyene ntitwovyemera. Kira noneho Abarundi bose, abanyepolitike eka mbere n'abakunzi b'Uburundi, twese twarabonye ko dutegerezwa kumenya ukuri kugira ntituzorage abana bacu ikinyoma.

29. Ni co gituma nshaka kugabisha umuntu wese ashaka gukamisha ukuri kugira ashike ku nyungu ziwe, inyungu zitubaka Uburundi, ko tutazomwemerera ko atera intambwe n'imwe.
Abarundi rero ni mureme kandi mumenye ko umugwi ubijejwe utaraheza igikorwa.
Urabandanya urondera ukuri kwose ku vyabaye haba imbere y'1972 haba n'inyuma yaho mbere na vuba cane igihe hari hakiri umugwi ukiriko uragwana.
Erega Abarundi natwe dutegerezwa kugira akahise k'ukuri tuzoraga abana.

➢ Banyakwubahwa mwese
➢ Batumire bahire
30. Ico ndagishimikiyeko kuko ubumwe mu gihugu ni wo muzi igihugu gishingiyeko.

Abantu bashize hamwe, ntakibananira ariko biciyemwo imice naho bokwubaka ntaco bashikako kuko iyo ataba amacakubiri Uburundi buba bugeze kure mw 'iterambere; twarabonye ko umutahe Imana yawuduhaye ariko uratunanira gukamisha kubera indyane.
Ahari amacakubiri, mwubaka musambura kumwe kwa ba bandi bubaka ikizu c'ikibaberi.

31. Mu kurangiza rero twashaka kubabwira ivyipfuzo vyacu muri uyu mwaka ugira utangure :

a. Turipfuza ko dutangura intambwe iboneka yo gukura Uburundi mu bukene.

Kubera ivyo, muzobona tubahimiriza ko umwe wese agira ico akoze kugira ngo ave mu bukene, cane cane abakozi b'igihugu.
Simvuze abakozi ba Reta kuko bohava basubira kwihenda bakifata nk'abakozi b'ishirahamwe bita Reta.
Ni abakozi b'igihugu ni co gituma tugiye kubegereza abenegihugu ngo bakorane babonana, amaso mu yandi.
Uwutipfuza na we gokorera igihugu, uwihenze yahora yibaza ko akorera abashikiranganji ni yigarure canke aje gukora ivy'iwe.

b. Turipfuza kandi kurema Umurundi mushasha adafise wa mutima wa kera w'ubugunge.
Ni co gituma ingoga nyinshi tugiye kuzishira mu rwaruka kugira rwo nyene rugire uruhara mu kwubaka kazoza keza, ntiruzomere nka twebwe twakuriye mu gihugu kitagira umwizero.

Muri uyu mwaka utangura rero urwaruka ni rube rurikazanura, tugira tuje mu bikorwa.
Ni co gituma mwebwe mujejwe umutekano, na cane cane urwego gwo kwivuna abansi, mwokwitegurira kumenyereza ibikorwa vyo gukunda igihugu no kugikorera urwo rwaruka. Ni mwebwe twabonye ko
tuzoshinga igikorwa co gukunda no gukorera igihugu.

c. Ica gatatu twipfuza ni ukuduza ubutunzi bw'igihugu.
Uyu mwaka ntuzosa n'iyindi mu kwegeranya ubutunzi bw'igihugu. Tugomba kwegeranya ubwa mbere amahera yose yinjira mu bisata vy'igihugu kugira akoreshwe ku mugaragaro. Turazi ko hari abazoguma bashaka kuyanyegeza kuko ari vyo bari baramenyereye. Aha ndabagabishije, amahera yose y'igihugu dutegerezwa kuyabona mu kigega c'igihugu hanyuma yongere akoreshwe mu bisata bitandukanye ku mugaragaro.

d. Turipfuza kandi ko tugira umwizero ku mutekano w'igihugu.
Nababwiye ko uwushaka kugira urugamba rwiza arutesha rutaraba.
Tugiye rero kuvugana n'abo vyega bose dutunganye ibishoboka vyose kugira tuzitire tutaronerwa.Tugiye gukomeza imigenderanire n'ibihugu bibanyi, dukorere hamwe kugira ntihagire ikizotwononera kivuye hanze kandi na bo tubahe umwizero ko atakizobatobera kivuye iwacu.
Tugiye kandi gukorana n'abajejwe umutekano kugira neza na neza, abenegihugu bose babe abagenzi b'inzego z'umutekano.

e. Ivyo na vyo bikazobonekera ku kugene dukingira agateka kabo ndetse n'ako umuntu wese.

Ni co gituma n'aha nagomba kugabisha cane cane mwebwe mujejwe umutekano ko mutegerezwa kwamiza ku mutima gukingira agateka ka zina muntu. Mumenye ko umuntu aguma ari umuntu naho yoba yakoze ikibi ; ategerezwa gufatwa runtu. Uwuzofatwa ariko arafata abantu bunyamaswa amenye ko tutazomwihanganira, ni vyo twarahiriye ko tuzokingira agateka ka zina muntu wese.

f. Ubugira kandi, turipfuza ko Umurundi wese aroranirwa mu gihugu cacu.
Ni co gituma tutazokwihanganira n'Umurundi yiyanjanjwako,
akama mu marigara hanyuma akidoga ko akenye kuko ashaka kurya ivya gusa.
Twese tuje ku kivi, abahinga babinonosoye baje gufasha abenegihugu mu myuga itangukanye, kugira Umurundi wese agire ico akoze kimuteza imbere kuri we, mu muryango no ku gihugu.

32. Mu kurangiza rero, twashaka kubibutsa kwamiza ku muzirikanyi ikiranga kandi kigahesha iteka inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano vy'Uburundi ari yo nyifato twita mu kinyamazuru « Discipline ».
Kuva na kera na rindi, intwaramiheto z'Umwami zamye ari rurangiranwa,
cane cane mu gukingira imbibe z'igihugu ; muraguma rero mugendera iryo ragi ; mube mu ba mbere bafise inyifato y'akarorero mu bandi benegihugu muri icirore.
Ico ni co kizobaha igikundiro n'icubahiro imbere y'abenegihugu mujejwe gutabara.

33. Sinoyamara yose ; ni ngaho mpereje, nongera kubakengurukira ndabipfuriza mwese abasirikare n'abaporisi n'imiryango yanyu aho iherereye hose, umwaka mushasha mwiza w'2022.
Uze ubabere umwaka muhire, umwaka w'akanyamuneza, w'ibikorwa, w'umutekano n'imihezagiro iva ku Mana Rugiravyose.

Ndabahezagiye kandi ndabahaye Umwaka mugufata aka karahuri, ndabipfuriza mwese mukoraniye ngaha amagara meza.

Imana ibahezagire
Murakoze.